Ikinyamakuru
ca Ekleziya
Gatolika
Umwaka wa 68
Gisohoka kabiri mu
kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°765 15 Ndamukiza 2022

## Urugendo rw'umukuru w'igihugu c'Uburundi i Vatikano



Ku wa 26 Ntwaranante 2022, Nyenubweranda Papa Fransisiko yarakiriye i Vatikano Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu c'Uburundi Evariste Ndayishimiye.

Ubwo butumire bwamushikiriye ku wa 3 Ntwarante 2022, aho yakiriye ku kirimba ciwe i Gitega Nyenicubahiro intumwa ya Papa mu Burundi Musenyeri Dieudone Datonou.

Soma ku Rup. 3

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Anatolie NIYIMPAYE*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Ukwibuka imyaka 28 irangiye Prezida Cyprien Ntaryamira ahitanywe n'isanganya ry'indege mu gihugu c'Urwanda



Kuri uwu wa gatatu igenekerezo rya 06 Ndamukiza niho Uburundi bwibuka imyaka 28 ihaciye Umuhisi Nyenicubahiro Prezida Cyprien NTARYAMIRA, kumwe n'abo bari kumwe, bahitanywe n'isanganya ry'indege mu gihugu c'Urwanda.

Ibirori vyo kumwibuka bikaba vyatanguriwe n'inkuka y'imisa yahererejwe kuri Cathédrale Regina Mundi i Bujumbura. Muri iyo nkuka y'imisa, Musenyeri Anatole yarayirongoye, yibukije abari aho ko batofata ingingo zihotora abantu nk'uko umwami nabukodonzori yabigize, ati:

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo


- Ishirahamwe Mpuzamakungu OIM ryitaho abimukira rikora iki mu Burundi?......6
- Abantu bafashwe n'igipolisi c'Uburundi ngo ni abasuma bavugwako vyi nshi......7
- Ugukingira ibidukikije ni uruhara rwa buri muntu wese......8
- Urugo rwubakwa na babiri: uruhara rw'umwana......9

# Idominika ya Pasika , Umwaka C

## Igisomwa ca mbere: *Ibik. Vy'Abat. : 10,34. 37-43*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa :

*(Twebwe twarafunguranye turanywa hamwe na we amaze kuzuka mu bapfuye)*

Petero ngo ashike i Sezariya kwa Korneliyo, asama ijambo ati: "Murazi neza ivyabaye mu buyudeha bwose, uhereye mu Bugalile kuva muri ca gihe Yohani yigisha ibatisimu. Murazi ingene Yezu w'i Nazareti yaronse Mutima Mweranda ben'inganji y'Imana, hanyuma akagendura igihugu cose agira neza aho aciye hose, abohora abari mu ngoyi za shetani; kanatsinda yari yuzuye Imana. Twebwe rero turi ivyabona vy'ivyo yakoze mu gihugu c'Abayahudi be n'i Yeruzalemu.

Niwe bahavuye bica, bamumanika ku giti c'umusalaba, ariko Imana yaramuzuye ku munsi ugira gatatu, imuha n'ububasha bwo kwibonekeza; ntiyabonekeye igihugu cose, yabonekeye ivyabona Imana yari yaratoye, twebwe twafunguye tukanywa hamwe nawe amaze kuzuka mu bapfuye. Kandi yadutegereje kwigisha igihugu n'ukwemeza ko ariwe Imana yahaye intahe ngo acire urubanza abazima n'abapfuye. Niwe abahanuzi bayaze aho bavuga yuko uwuzokwemera wese azoronka, kubw'izina ryiwe, ikigongwe c'ibicumuro yakoze."

## Igisomwa ca kabiri : *Abanyakolosi: 3, 1-4*

Ivyo dusoma mw'ikete Umutumwa Paulo yandikiye Abanyakorenti:

*(Nimwityorore umwambiro wa kera, kugira ngo mube umukate wa kera)*

Ncuti zanje: ntimuzi ko umwambiro naho woba muke, wambira umukate wose? Nimwityorore umwambiro wa kera, kugira ngo mube umwambiro mushasha, kuko muri umukate utagira umwambiro. Nkako nyene kristu Pasika yacu, yaritanze kw'inkuka. Natwe rero, ntiduhimbaze uwo munsi mukuru twambije umwambiro wa kera canke umwambiro wuzuye inda mbi n'inzigo; nituwuhimbaze nyabuna mu bweranda no m'ukuri.

## Inkuru nziza : *Yohani : 20,1-9*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Kristu Pasika yacu yaritanze kw'inkuka. Niduhimbaze rero mu Mukama uwo munsi mukuru.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Yohani :

*(Yezu yabwirizwa kuzuka mu bapfuye)*



Umunsi wa mbere w'indwi, mariya wa Magdala yagiye ku ruhafu mu gitondo kare, bugihwibiriye, araheza abona ko ibuye barikuye ku ruhafu. Ariruka asanga Simoni Petero na wa mwigishwa Yezu yakunda, ababwira ati: "Bakuye Umukama mu ruhafu kandi ntituzi iyo bamushize." Petero rero aca aragenda, ajana na wa mwigishwa wundi, baja ku ruhafu. Bompi bagenda bariruka ariko wa mwigishwa wundi arasiga Petero, amutanga ku ruhafu. Arunama rero abona za mpuzu ziri hasi, ariko ntiyinjira.

Simoni Petero aje amukurikira arashika nawe. Yinjira mu ruhafu, abona za mpuzu ziri hasi n'ikiremo cari kimufutse ku mutwe; ico kiremo nticari kumwe n'izindi mpuzu, cari kizingiye ukwaco. Wa mwigishwa wundi yari yamutanze abona nawe kwinjira mu ruhafu; araraba aremera. Ugasangwa ntiyari bwategere ko, nkuko vyanditswe, Yezu yabwirizwa kuzuka mu bapfuye.

# Tuzirikane Ijambo ry'Imana : Umusi mukuru wa Pasika

Twebwe rero turi ivyabona vy'ivyo yakoze mu gihugu c'Abayahudi be n'i Yeruzalemu.

Petero ari mu bambere bagendanye na Yezu imbere y'uko abambwa, kuva aho yabatizwa na Yohani n'igice cose yigisha ishengero. Ni co gituma ariko aramushingira intahe ko Yezu yazutse. Inyigisho ziwe n'ibitangaro yakora vyerekana ko Imana iri kumwe na Yezu, ko yari yuzuye ubukomezi bw'Imana. Kandi aho aca hose, yakora ineza, agakiza abiganziwe na shetani. Ivyabona yari yaritoreye, ari bo batumwa biwe, nibo bashingiye intahe urupfu rwiwe n'izuka ryiwe.

Nk'uko bamubonye amanitse ku musaraba mbere bamwe muri bo bakagira ubwoba bagahunga, niko aho bamariye kumubona yazutse, bahimbawe, bagashira ubwoba bagatangura kumushingira intahe badatinya.

Kuko Imana Mushobora vyose yarazuye Yezu imikura mu bapfuye, imuha kwiyereka ari muzima abo nyene Imana yitoreye ngo baze bamubere abatumwa. Abasangiye nawe imfungurwa n'inyobwa amaze kuzuka, nibo yatumye kumenysha abantu bose ko mu kumuzura mu bapfuye, Imana yamuhaye ububasha ntangere, ikamugira umucamanza wa bose, abakiriho n'abapfuye.

niwe abahanuzi bari barabuye kuva na kera bavuga bati: "uwo wese azomwemera, azoronka ikigongwe c'ibicumuro vyiwe. Abagendanye na Yezu kuva atangura kwigisha icese, bakiyumvira inyigisho ziwe, bakabona ibitangaro yakora, bakabona ingen yirukana amashetani, n'ingene yakiza abagwaye, n'ingene muri vyose yakora ineza, ntibabura kumutangarira, bakabona ko Imana iri kumwe nawe, ko mbere yuzuye Mutima Mweranda.

Naho bahatswe kwihebura aho Yezu yapfa ku musaraba kandi yari yabibaburiye, aho azukiye agasangira imfungurwa nabo, akabarungika n'ukwigisha Ijambo ryiwe, ivyo vyose vyarabakomereje ukwemera kwabo.

Abo nibo dukesha Inkuru nziza y'urukiza, ni nabo twofatirako akarorero k'ukwemera gushitse, gutuma natwe dushingira intahe izuka rya Yezu.

Abanditsi b'Inkuru nziza, uko ari bane, baremeza bose ko abazindutse isabato yaraye ihavuye, bakagenda ku ruhafu rwa Yezu, basanze urwo ruhafu rugaragara. Mariya Madalena yabaye umwe muri abo bambere: ababonye ko ibuye ryari ryugaye uruhafu ryahavuye, yabanje kwiyumvira ko hari aboba bivye ikiziga ca Yezu.

Agiye kubibwira Petero n'uwundi mwigishwa Yezu yakunda, bompi baciye biruka kuraba ivyo bintu. Bashitse basanga biri uko Madalena yabibabwiye, basanga uruhafi ruragaragara, ariko babona ya mpuzu bari bahamvyemwo Ye-zu iri aho, mbere iri kumwe n'igitambara bari bapfutse umutwe wa Yezu. Wa mwigisha Yezu yakunda niwe yabanje gutegera i-vy'ari vyo, ariko Petero wewe yari agifise amakenga.

Wa mwigishwa yakunda niwe yamwibukije ko ivyari vyanditswe kuri Yezu vyarangutse, aca aremera atabanje gukekeranya, noneho na Yezu wenyene yari yaburiye abigishwa biwe ko azobambwa ku musaraba hanyuma agapfa akazuka mu bapfuye. Nanone Imana ntiyari kureka umukunzi wayo ngo ahereze ku cobo.

Aho Yezu yabonekera abigishwa babiri bariko baraja i Emausi, akagenda arabasigurira ivyanditswe mu Bitabu vyeranda bimwerekeye, ntibamumenye. Bamumenyeshejwe n'uko yakiriye umukate, agakengurukira Imana, akawumanyura, hanyuma akwubahereza, kumwe nyeye yari yabigize ku munsi urongora uw'ukubabara n'ugipfa kwiwe.

Na twebwe nyene ikitumenyesha Yezu yazutse ko ari kumwe natwe ni iryo jambo ry'Imana twumviriza be na wa mukate w'ubuzima Yezu aduhereza ngo utubere imfungurwa, abanje kuwuhindura umubiri wiwe : "Yakira umukate, arawuhezagira, arawumanyura, awuhereza abigishwa biwe, ati: «Akire murye mwese iki ni umubiri wanje».

Izuka rya Yezu, si wewe wenyene rizanira ubuzima bushasha. Ubwo buzima buhabwa uwo wese yemera vy'ukuri. Nico gituma Paulo mweranda afatira kuri iryo zuka akabwira abakristu ko bapfuye hamwe na Kristu ku buzima bwabo bwa mbere, bwa buzima bw'umuntu wa kera yihambiriye ku vy'isi, hanyuma bakazuka hamwe na Kristu mu buzima bushasha.

Bakwiye rero kwama barondera ivyiza vy'ijuru, aho Kristu avyagiye i buryo bwa Data, bareke kwumira ku vy'isi.

Nk'uko Kristu yapfuye akava mu buzima bw'aha kw'isi agatorana ubuzima bushasha, niko abakristu tubwirizwa kuvavanura n'igicumuro, tukaba bashasha.

Kubw'ubuzima bushasha twaronse mw'ibatisimu, bubwirizwa kubonekera mu migenzo yacu, mu kwirinda inabi, ari wo mwambiro w'akabi, tukaba nyabuna umukate muzima kugira tuberwe n'ukwegera wa Mwagazi wa pasika utagira agahonzi, witanzeko inkuka ngo dukire ibicumuro.

Mu guhimbaza uyu munsi mukuru wa Pasika, nituvavanure n'akabi n'ububisha bwose, n'ingeso mbi zose, twitwararike nyabuna ubugororotsi, ubutungane n'ukuri. Ivyo bidushushanya na Yezu yazutse agasangira ubuninahazwa n'Imana.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Ukwibuka imyaka 28 irangiye Prezida Cyprien Ntaryamira ahitanywe n'isanganya y'indege mu gihugu c'Urwanda

*(Bitangurira ku rup.1)*

« Mu ntwaro, umutegetsi avuze ijambo, abantu bategerezwa guca barishira mu ngiro banse bakibonerako (Danieli 3).

Nabukodonozori yashaka kubagira abanyababiloni, abategeke binjire mu migenzo y'abanyababiloni, bakubite ibipfukamiro hasi, bongere basenge ibigigwamana yari yacurishije, batabigize bagatabwa mu nyenga y'umuriro.

Indongozi -Ababategetsi bokwitondera amajambo bavuga n'amategeko bashinga, Turumva ingingo zishingwa hirya no hino.

Umuntu arashobora kwibaza ati: «Ni nde ari mu kuri, ni nde atari mu kuri muri abo baryana, muri abo batera intambara ». Hari ingendo nziza uwemera abwirizwa kwamana, nuko yoshira imbere ukuganira, agashira imbere inama nziza hamwe havamwo umwanzuro ufatiye ku nyungu za benshi, hamwe atawidoga. Abategetsi bacu tubasabire bagendere mu kuri muri vyose na hose.»

Inyuma y'imisa ivyo birori bikaba vyabandanirije ku ntatemwa y'uwo muhisi iri hagati mu gisagara ca Bujumbura, aho benshi batazira kwa Ndadaye, hakaba ari naho haciye havugirwa ijambo Prezida Cyprien Ntaryamira yashikirije aho yashikira ubutegetsi, hari mu mwaka w'1994.



**Umukuru w'igihugu c'Uburundi Evariste Ndayishimiye n'Umutambukanyi wiwe bahejeje gushira ingori z'amashurwe bongera bunamira uwigeze kurongora igihugu Prezida Cyprien Ntaryamira.**

Ivyo birori vyasozerewe n'ishirwa ry'ingori z'amashurwe ku ntatemwa ya Nyenicubahiro Cyprien Ntaryamira hamwe n'abo bari kumwe.

***Ubuzima bwa Cyprien Ntaryamira hamwe n'ivyaranze ukubaho kwiwe***

Cyprien Ntaryamira yavutse igenekerezo rya 6 Ntwarante umwaka w'1954 ku musozi Gitwe, zone Mageyo, komine Mubimbi, intara ya Bujumbura rural. Amashure mato mato yayize mu Rushubi, aca aja kubandaniriza ayisumbura kw'ishure bitirira irya Mutima Mweranda.

Mu mwaka w'1972, yarahungiye mu gihugu kibanyi c'Urwanda, aho yaciye abandaniriza amashure yisumbuye n'aya kaminuza, aharonkera urupapuro rw'impamyabushobozi mu bushakashatsi mu mwaka w'1979 n'urupapuro rw'umutsindo nk'umuhinga w'indimo mu mwaka w'1982.

Mu kwezi kwa Ntwarante umwaka w'1983, yaratahutse mu Burundi. Ni muri uwo mwanya nyene baca bashinga mu kinyegero umugambwe Sahwanya FRODEBU, u-tangujwe ahanini na Cyprien Ntaryamira, Melchiol Ndadaye, hamwe na Leonarudo Nyangoma, mu kwezi kwa Myandagaro umwaka w'1986.



*Prezida Prezida Cyprien Ntaryamira na mugenziwe Prezida Juvénal Habyarimana, abahitanywe n'impanuka y'indege*

Inyuma yo kuba umuyobozi mukuru w'uburimyi n'ubworozi kuva muri Kigarama 1987, Cyprien Ntaryamira yagizwe umushikiranganji w'uburimyi n'ubworozi muri Mukakaro 1993 ku ntwaro ya Melchior Ndadaye, umukuru w'igihugu wa mbere yitorewe n'abanyagihugu.

Inyuma y'igandagurwa rya Melchior Ndadaye mu mwaka w'1993, Cyprien Ntaryamira, akaba yaciye agenwa kurongora igihugu c'Uburundi, kuva kuwa 5 Ruhuhuma 1994.

Prezida Cyprien Ntaryamira yitavye Imana ahitanywe n'isanganya ry'indege i Kanombe i Kigali mu Rwanda, kw'igenekerezo rya 06 Ndamukiza mu 1994 ari kumwe na mugenziwe Prezida Juvenal Havyarimana w'igihugu c'Urwanda, kumwe n'abashikiranganji biwe babiri Bernard Ciza yari ajejwe iterambere ry'amakomine, na Cyriaque SIMBIZI yari umushikiranganji wo kumenyesha amakuru. Yari avuye i Arusha muri tanzaniya, kubonana na bagenziwe bo mu karere, ku kibazo c'amahoro n'umutekano.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Urugendo rw'umukuru w'igihugu c'Uburundi i Vatikano kwa Papa

(Bitangurira ku rup.3)



Muri uwo mubonano yaraje kumushikiririza ubutumwa bwa Papa bwo kumwipfuriza umwaka mushasha wa 2022, no kumutumira ngo azogende mu mubonano hamwe nawe i Vatikano.

Umukuru w'Igihugu c'Uburundi yahawe umubonano na Nyenubweranda Papa Fransisiko, inyuma y'uwo mubonano yarakiriwe n'Umunyabanga wa Reta ya Vatikano Karadinali Pietro Parolin hamwe n'umunyabanga ajejwe imigenderanire n'ibihugu Musenyeri Paul Richard Gallagher.

Mu mubonano yagiriraniye na Papa, Papa Fransisiko yaranenezerejwe n'intambwe Uburundi bugezeko ku vyerekeye ugusubiza hamwe no kurekuriranira, hamwe n'ubumwe buri hagati y'amadini. Agatumirira umukuru w'igihugu c'Uburundi gutera aja imbere muri ubwo bumwe.

**Ku bijanye n'imigenderanire hagati ya Reta y'Uburundi n'Ekleziya**

Baraganiriye kandi ku vyerererekeye imyaka 60 iheze hatanguye imigenderanire myiza hagati ya Leta y'Uburundi na Leta Vatikano.

Baraganira no ku myaka 125 yimirije kurangira mu Burundi tumenye Yezu Kristu.

Umukuru w'igihugu cacu yaboneyeho gutumira Nyenubweranda ngo azoze gutera iteka ibirori vy'iyo Yubile. Ubwo butumire Papa akaba yaciye abwemera ubwo nyene.

Nyenicubahiro umukuru w'igihugu cacu na Nyenubweranda baraganiriye ku vyerekeye umusozi wa Mugera uriko ikirimba ca Bikira Mariya ku rwego rw'igihugu, aho yamushikirije icipfuzo c'uko hokubakwa isengero nkuru.

N'ico cipfuzo Nyenubweranda akaba yacakirije yompi.

Ikindi baganiriye n'ikijanye n'ingene botsimbataza ingo n'imiryango kuko ariyo kazoza keza k'igihugu n'Ekleziya.

Umukuru w'igihugu cacu yaramenyesheje Nyenubweranda ko Uburundi bugizwe ahaninini n'urwaruka, ari bwo nkingi y'iterambere. Arashikiriza Papa ko Ekleziya Gatolika ifitaniye imigenderanire myiza na Reta.

**Ku bijanye n'iterambere.**

Ku vyerekeye iterambere, Ekleziya ifasha mu bisata bitandukanye:

- Indero aho hari amashule menshi ari mu minwe y'Ekleziya.

- Igisata kijanye n'amagara y'abantu aho hari amavuriro atari make n'ibitaro bikurikiranwa n'Eklewiya, hamwe n'i-bindi bisata Ekleziya ifasha ibicishije muri «Caritas Burundi».

- Ikindi yashikirije ni uruhara Ekleziya ifise mu gukurikirana urwaruka. Ekleziya ikaba ibicisha mu ma paruwase atandukanye. Akipfuza ko iyo migenderanire yoguma ari myiza kugira iterambere ritere rija imbere.

**Ku bijanye n'umutekano**

Umukuru w'igihugu c'Uburundi yemereye Nyenubweranda ko inyuma y'imyaka itari mike yaheze Uburundi buri mu ntambara; ko ubu bufise intumbero yo gukora ngo bw'ubake ngo bwongere burwanye ubukene kuko umwansi abarundi basangiye bose ubu ari ubukene.

Umukuru w'igihugu cacu kandi yarabonanye n'Umunyabanga mukuru wa FAO. Mu vyo baganiriye bashije imbere ingene FAO ifata mu mugongo imigambi ya Reta ku bijanye n'igisata c'Uburimyi n'ubworozi hamwe no gufungura neza; mu gihe Uburundi bwitiriye uburimyi umwaka wa 2022, kugira ngo «Umunwa wose uronke ico ufungura, n'umupfuko wose uronke amafaranga».

Yarangije uwo mubonano amenyesha Nyenubweranda ko ubu abarundi bashize hamwe mu gukora bishimikije icivugo ngo : «Turi hamwe birashoboka»

Yarabonanye kandi n'abarwizatunga bo mu gihugu c'Ubutariyano baganira kukungene Reta y'Uburundi yorohereza abanyamitahe kugira bazane imitahe yabo mu Burundi.

Yarangirije urwo rugendo mu mubonano yagiriraniye n'umuryanga San'Egidio akenguruka uruhara uwo muryango wagize mu gutsimbataza amahoro n'umutekano mu Burundi nk'uko usanzwe ubigira kw'isi yose.

Tubamenyeshe ko yaganutse mu gihugu ciwe kuwa 30 Ntwarante 2022 aho yakiriwe mu cubahiro ciwe ari kumwe n'Umutambukanyi wiwe ku kibuga c'indege citiriwe Melchior Ndadaye.

**MSV M.Goreth Ndikumana**

# Ishirahamwe mpuzamakungu OIM ryitaho abimukira rikora iki mu Burundi?

Ku wa 7 Ndamukiza 2022, ubuserukizi bw'ishirahamwe mpuzamakungu ryitaho abimukira ngaha mu Burundi bwaratunganije ikiganiro c'abamenye-shamakuru kugira ngo bavuge ibikorwa vyabo mu Burundi, ibimaze kurangurwa hamwe n'ivyo bategekanya gukora.

Nkuko vyashikirijwe na Vijaya Souri, ahagarariye ibikorwa vya OIM mu Burundi, iryo shirahamwe ngo rifasha mu bwoko bwose bw'ukwimuka kw'abantu, kwaba ukwimuka mu gihugu hagati abantu bava mu kibanza baja mu kindi, canke kwimuka hagati y'ibuhugu.

Vijaya Souri aradondagura ukwimuka kwegwa n'iryo shirahamwe.



Ivyo bikorwa ni cane cane:
* Ibijanye no kwakira impunzi no kuzifasha kubaho;
* Ibikorwa vy'ubutabazi bwo mu ntambara n'inyuma y'intambara no gufasha abahuye n'impanuka;
* Gufasha abimukira;
* Ukwimuka kw'abarondera akazi no kwimuka kumvo z'iterambere;
* Ukwimukira mu gihugu kanaka no gukingira imbibe;
* Ibibazo vyo kwimuka n'amagara y'abantu;
* Gutunganya ibijanye n'-intwaro no guharanira amategeko y'abimukira.

Nk'uko uwo mupfasoni abivuga, mu gihugu c'Uburundi, ngo ibikorwa nyamukuru vy'iryo shirahamwe bishimikiye ku gufasha abimukira bari mu bwoko bw'impunzi hamwe no gufasha abahuye n'impanuka.

Ku bijanye n'impunzi, iryo shirahamwe rirafasha abanyamahanga binjira mu Burundi baharondera ubuhungiro. Rirafasha kandi abarundi bashobora guteshwa izabo n'i-bituma bitandukanye, vyaba ivya politike canke ibijanye n'ikibano.

Ku ruhande rw'ivyaduka, ishirahamwe mpuzzamakungu ryitaho abimukira, ngaha mu Burundi rifasha cane cane ku bibazo vyo kwimuka bitumwe n'imyuzurira n'ihindagurika ry'ibihe. Akarorero gatangwa ni ibikorwa vyo gufasha abantu bateshejwe izabo n'imyuzurira yo mu kiyaya c'Imbo, cane cane muri zone Gatumba ya Komine Mutimbuzi mu ntara ya Bujumbura.

**Ibibazo nyamukuru vy'iryo shirahamwe:**

Ishirahamwe OIM mu Burundi ngo rifise ikibazo cane cane ku bijanye n'abantu bakenera kwimuka kubera ari impunzi canke kubera impanuka ariko ntibaronke aho babimurira.




*Bamwe mu bamenyeshamakuru bari bitavye ico kiganiro*

Ikibazo c'amatongo naco ngo ntikiri mu minwe y'iryo shiramwe ahubwo ngo kiri mu minwe ya Reta.

Naho rero iryo shirahamwe riba ribona bikenewe, ntiriheza ngo rigire ico rifashije abantu bakeneye aho bimukira, ariko iyo intwaro itanze ivyo bibanza riraheza rigafasha abimikira gutunganya ico kibanza no gufasha kwimuka.

Iryo shirahamwe OIM ribona kandi intambamyi yuko abakeneye ubufasha bw'iryo shirahamwe baguma baba benshi bivuye ku bibazo vy'imibano n'ubutunzi bitifashe neza mu bihugu bihana imbibe n'igihugu c'Uburundi.

Hari kandi ikibazo c'ihindagurika ry'ibihe. Ku biharuro bitangwa n'iryo shirahamwe, vyerekana ko Uburundi buri mu bihugu 20 bibangamiwe cane n'ihindagurika ry'ibihe bigatuma abantu bahindagura cane aho baba.

Tubamenyeshe ko Ishirahamwe mpuzamakungu OIM ryatanguye mu mwaka w'1951 ari umurwi mpuzabihugu mfatakibanza ujejwe ibibazo vy'abimlukira b'abanyaburaya inyuma y'intambara ya kabiri y'isi yose.

Mu 1952urwo rwego rwacitse umurwi mpuzabihugu w'abimukira b'abanyaburaya (CIME mu mpunyapfunyo y'igifaransa). Mu 1980 CIME yahindutse igisata mpuzabihugu kijejwe abimukira (CIM).

Mu 1989, igisata CIM cahindutse ishirahamwe mpuzamakungu ryitaho abimukira (OIM). Mu 2016, OIM yinjiye mu bisata bigize ishirahamwe mpuzamakungu ONU. Mu 1989, iryo shirahamwe ryari mu bihugu 67.

Ubu OIM iri mu bihugu 173, hakiyongerako ibihugu 8 biri kurugezo rwo gucungera ishirahamwe OIM.

**Melance NDAYIKEZE**


# Abantu bafashwe n'igipolisi c'Uburundi ngo ni abasuma, bavugwako vyinshi

Ku wa 4 Ndamukiza 2022, umuvigizi w'igipolisi c'Uburundi yarerekanye abantu batatu bagirizwa kuba bakora urudandazwa rw'amahera mu kwegeranya amahera y'abenegihugu kandi ata ruhusha babifitiye.

Mu gihe amategeko y'Uburundi arekurira gusa ama banki n'amashirahamwe akora nk'amabanki kwegeranya amahera no kuyabikira abenegihugu, abo bantu batatu, harimwo abagabo babiri n'umupfasoni umwe barafashwe n'igipolisi c'Uburundi bagirizwa gukora ibikorwa baterukurirwa n'amate-geko.

Ivyo na vyo ngo ni umugambi bagize wo kwiba abantu babasaba ngo babazanire amahera bababikire hanyuma inyuma y'ukwezi kumwe babungukire incuro zitatu kuyo umuntu aba yabahaye.

Umuvugizi w'igipolisi c'uburundi akavuga ko ubwo ari ubusuma bweruye, kuko ngo abantu mwene abo bagumye bibonekeza mu gihugu c'Uburundi kandi ngo ni abasuma.



Nk'uko kandi vyashikirijwe n'umuvugizi w'igipolisi, abo bantu ngo bari bamaze kwegeranya amafaranga ashika umumiliyaridi umwe w'amafaranga y'Amarundi (1 000 000 000). Ayo mafaranga yose nayo akaba ngo yarafashwe nk'uko bivugwa n'uwo muvugizi nyene.

Muri uko kuyafata, ngo baragize amatohoza, baramenya ama banki bashirako ayo mahera hanyuma, barahagarika ibijanye nugukurako ayo mahera mu gihe ngo abo bantu nyene bariko baraca ku ruhande barondera abayabakurirako mu mpisho bayanyuruze.

Ni co gituma umuvugizi w'igipolisi c'Uburundi yaciye ahamagarira abenegihugu bazi ko batswe amafaranga n'abo bantu kuzindukira kuri parake ya komine Mukaza kugira ngo igipolisi c'Uburundi gisubize amafaranga beneyo.

Aho ni mu gihe bategekanya ko abo bantu baja kwisigura imbere y'abajejwe ubutungane.

### Ariko ibintu ntivyoroshe kuri uwo musi

Bukeye, ku 5 Ndamukiza, isinzi ry'abantu ryazindukiye kuri parake ya Mukaza, rirakubita harazima. Abo bantu baje bafise agashavu kenshi ngo igipolisi c'Uburundi cafashe abantu b'inzira karengane. Bamwe mubashoboye kuvuga, bati : «Abo bantu si abasuma ntawe bivye. Ni abantu bafise imigambi myiza y'iterambere. Bashaka kudukura mu bukene».



*Abo ni abapasitori 2, n'umunyamabanga wabo bagirizwa n'igipolisi c'Uburundi ko banduje amafranga y'abenegihugu*

Abandi barerekanye akababaro kabo kuko ngo mu mwaka umwe iryo shirahamwe ryari rimaze rikora ngo bari bamaze gutera imbere cane. bati: «Ni abantu biturwa n'abantu bose atakuvangura.

Ntibaraba intara, ubwoko, amadini canke imigambwe. Batunganiriza bose kandi uwugeze kuronka inyungu wese baramutunganiriza atangorane n'imwe ihabaye.»

Abo bene gihugu bose bavuga rimwe: «Abo bantu nibarekurwe ntaco bazira».

### Kubera iki igipolisi gikurikira abantu mwene abo?

Bimwe mu vyo urwego rw'igipolisi rujejwe, harimwo gukingira abantu n'ibintu, no guhagarara iyubahirizwa ry'amategeko igihugu kiba carashizeko umukono. Naho rero abene gihugu boba babona inyungu mu kintu iki canke kiriya, igihugu kirafise uburenganzira bwo guhagarika ivyo bikorwa mu gihe biriko bikorwa hatisunzwe amategeko.

Nimba abo bantu bariko begeranya amafaranga y'abenegihugu batabifiye uburenganzira, igipôli-si c'Uburundi kirashobora kubahagarika naho nyene atangorane yoba iraba, canke naho ata muntu yoba arabitura a-rega abo bantu.

Tubamenyeshe ko abo bantu ngo batanguye gukora mu kwezi Rusama mu 2021, bakaba bari bamaze kwegeranya amafaranga ashika umumiliyaridi w'amarundi bakaba kandi bakorera mu ntara zirenga zitatu mu Burundi.

**Mélance Ndayikeze**

# Ugukingira ibidukikije ni urhahara rwa buri muntu wese

Mu ntumbero yo gukingira inkombe z'uruzi Ntahangwa rugabura komine Mukaza na komine Ntahangwa aha mu gisagara ca Bujumbura, ku wa 7 Ndamukiza, urwaruka rwo mwishirahamwe ry'aba guides mu Burundi rwari ruramutse rutera ibiti vy'imigano kunkengera z'urwo ruzi hafi y'ishure ryisumbuye rya Nyakabiga, mu ntumbero yo kurukingira.


Uruzi Ntahangwa rurageramiye abagwereye

Ibikorwa nk'ivyo bikaba ari bimwe mu karanga butumwa kabo.

**Keilla MUHOZA,** arongoye umugambi wo gukingira ibidukikije mw'ishirahamwe ry'aba guides, amenyesha ko ivyo bikorwa babikoze mu ntumbero yo gukingira ibidukikije kuko ari kimwe mu bigize iterambere ry'igihugu.





Abandanya atera akamo abanyagihugu baba muri iyo micungararo kwitwararika gukingira urwo ruzi, mu gutera ibiti ku nkengera yarwo, kuko kenshi iyo batabikoze, ingaruka mbi zigaruka kuri bo.

Kubwa Keilla Muhoza, gukingira ibidukikije rero, ni uruhara rwa buri muntu wese. Ico kikaba ari na co civugo bagenderako uwu mwaka wa 2022.

**Jado NKURUNZIZA** asanzwe ari na wenyene umu scout, akaba ajejwe kurwiza ibiti, kubitera no kubiha ababikeneye, ivyo bikorwa akaba abikorera hafi y'urwo ruzi Ntahangwa, kubwiwe nawe ati: «Aba guides baransavye ibiti vyo gukingira urwo ruzi, narahimbawe cane kanatsina ibikorwa ni vyinshi, abakozi bakaba bake».

Abandanya agatera akamo urundi rwaruka kwijukira ibikorwa nk'ivyo kuko ngo impinga iracari ndende.

Iryo senyagurika ry'inkombe z'urwo ruzi rikaba ritumwa n'uko imisozi ihanamiye igisaga iriko ubugararwa bwinshi, ariyo nkomoka ya vyose.

***Chanel HARINGANJI***

# Urugo rwubakwa na babiri : Uruhara rw'umwana

Ikibondo ni icamwa c'urukundo ruri hagati y'umugabo n'umugore. Ni ingabirano y'Imana urugo ruhabwa, ni umuhezagiro wa Serukundo ashungururira ku bubakanye kugira bame mu munezero ukwiye kandi uzira amahinyu.



Foto : Mu bubiko

Iyo ngabirano y'Imana ni iyo kubungabunga. Abavyeyi bokwitaho umwana, bakamwerekavyukuri urukundo kuko nico bahamarirwa.

*None uruhara rw'abana mu muryango ni uruhe?*

Ubwa mbere ni uko bokwubaha abavyeyi babo, bakabagamburukira muri vyose na hose. Ivyo bobikorana umutima mwiza kugira berekane ko vy'ukuri ubuzima bafise naho babukesha Imana, uruhara runini ari urwo abavyeyi.

Paulo Mweranda arabiduha kw'itegeko muri aya majambo meza ati : «Mwa bana, ni mugamburukire abavyeyi banyu mu Mukama kuko bitunganye. Sonera so nyoko», iryo niryo bwirizwa rya mbere ririmwo umuhango, ngo «Kugira ngo ubone amahoro kandi urambe ng'aha kw'isi ».

N'uko rero, mwokwama musonera abavyeyi banyu naho mwoba mubasumvya ibihagararo mu vy'umubiri kuko «inyundo irakura ntisumba iyayujuje», kandi igitugu kirakura ntigisumba izosi.

Umwana asonera abavyeyi biwe, ariha agaciro mu maso y'abamubona kandi arasonerwa n'abandi.



Foto : Mu bubiko

Vy'ukuri, aba atoranye akatabonetse. Bose baramutangarira bakanamufatirako akarorero, akaronka gutyo agaciro kiwe.

Abavyeyi biwe baramuhezagira, akaboneraho kuramba. Umwana asonera abavyeyi, arahesha iteka n'izina umuryango avukamwo, abandi bavyeyi bariko barahanura abavyeyi babo, baramutangako akarorero bagira bati : «Ntimubona abana bo kwanaka ingene ari intore! » canke ngo : «Naka yaravyyaye nayo jeho ...! »

Wa mwana niwagerageza gusonera abavyeyi, ukagerageza no kubagamburukira ntaco uzobura bagifise. Ntugakengere umuvyeyi ngo arashaje, kuko nawe yarigeze kuba ameze nkuko kwawe akiritera akarisama, ntayiruka itabunda kandi ugeze aho ugeze kubera we.

Bungabunga abageze mu zabukuru, mwibuke ko urukwavu rukura rukonka umwana. Ikizoguhesha icubahiro n'urukundo uzoba wararekanye imbere y'abakuvyaye.

Birahimbaye kwumva umwana abarira umuvyeyi wiwe ngo : *«Bavyeyi banje, ntakintu nzobakorera kizobababaza, aho bizoshika ngashaya muze mumbabarire»*. Umuvyeyi arahimbarwa n'umwana akosha akisubirako, n'abandi baraheza bakavuga bati : «Vy'ukuri urya mwana yararezwe, ni umwana w'indero ».

Ubushingantahe rero ntibabutora mw'ibarabara, umwana arabuvukana. Umwana akuze gutyo, akurana ubushingantahe.

Niwawundi uzosanga ari umunuzwajambo, atarenganya, kandi adakunda akarenganyo. Ni umwana usanga muri we azi gutunganya ibintu. Kandi kenshi umwana nk'uwo hari abamukunda, n'abandi bamusharika.

Uwugifise abavyeyi rero, n'ababungabunge kuko niryo tunga ridashumbushwa twahawe ku buntu.

Hari igihe wifuza kubabona ngo ubagirire neza utakibabona.

***Sonera so na nyoko, iryo ni ibwirizwa.***

**Biracaza**

**Chanel HARINGANJI**

# Ingene imanza z'ivyaha zitohozwa n'ingene ziburanishwa imbere ya Sentare

Ikintu cose gikorwa mu rwego rw'ubutungane mu Burundi, ntigikorwa uko umucamanza wese avyiyumviriye. Intambwe yose umucamanza agira mu gihe ariko arakurikirana uwikekwako icaha, ategerezwa kwisunga amategeko.

Amategeko yisungwa, tuyasanga mu gitabu cerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa n'i-ngene ziburanishwa i-mbere ya Sentare

***1. Ingene imanza zishingwa muri sentare***

Ingingo y'181 y'igitabo c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa n'ingene zicibwa imbere ya sentare ivuga ko, mu gihe ubushikirizamanza bufashe ingingo yo gushingisha urubanza rw'icaha, buca burungikira umukuru wa sentare ifise ububasha inzandiko zerekeye urwo rubanza. Uwo nawe aca ashinga umusi urubanza ruzohamagarirwako.

Twisunze ingingo y'182, kwitura Sentare ifise ububasha bwo guca imanza z'ivyaha bikorwa biciye ku mutahe urengutsa uwagirizwa icaha canke biciye ku gisata gasamburamanza ca Sentare Ntahinyuzwa mu gihe gisubije inyuma urubanza kikarurungikira iyo Sentare.

Sentare ifata kandi ko yashikirijwe urubanza iyo uwakorewe icaha ayitwayeko.

Ingingo y'183 ivuga ko, iyo igihano gitegekanijwe n'amategeko kirenza umunyororo w'imyaka 5, ukurenguka k'uwagirizwa icaha ku gushaka kwiwe ntigutuma senta-re ifata ko yashikirijwe urubanza, kiretse amenyeshejwe n'umucama-nza ko ashobora kwishuza umutahe umurengutsa, uwagirizwa icaha nawe akavuga ko awuhevye.

Ni ko bigenda,iyo uwagirizwa icaha apfunzwe canke iyo mu ntahe y'icese akurikiranywe ku caha gitandukanye n'ico yari yagirijwe ubwambere .

***2. Ingene imitahe yo kurengutsa ababuranyi itangwa***

Ingingo y'184 ivuga ko, umushikirizamanza ari we atanga umutahe wo kurengutsa uwagirizwa icaha, uwuronderwa ko indishi hamwe n'umuntu wese akenewe kwumvirizwa kugira ukuri kugaragare.

Umwanditsi w'imanza wa sentare ifise ububasha bwo guca urubanza ararungikira umutahe uwakorewe icaha canke uwucagirizwa yipfuza kurengutsa.

Muri ico gihe, ategerezwa kuba afise ibikenewe vyose kugira abahamagaze. Iyo uwabisavye azi kwandika, aca ashikiriza umwanditsi w'imanza urwandiko yashizeko umukono.

Ingingo y'185 ivuga ko, umutahe utegerezwa kwerekana uwasavye ko utangwa. Urerekana amazina y'uwurengukishijwe, amatazirano yiwe, n'aho aba, igituma arengukijwe, sentare ategerezwa kwitaba, ikibanza n'isaha azokwitabirako.

Urerekana ububasha bw'uwawutanze n'uburyo yawushikirije.

Umutahe urengutsa uwagirizwa icaha urerekana kandi kamere, igenekerezo n'ahantu ivyo yagirizwa vyabereye. Uwo mutahe uratomora ingingo yo mu gitabu c'amategeko mpanavyaha yarenzwe.

Nkuko tubisanga mu ngingo y'186, umutahe ushikirizwa n'umumenyeshamanza, urashobora kandi gushikirizwa n'umushikirizamanza canke umwanditsi w'imanza. Umutahe ushikirizwa uwurengutswa.

Iyo aho uwarengukishijwe aba hatazwi mugabo akaba afise urugo mu Burundi, umutahe urungikwa kuri urwo rugo.

Ingingo y'187 ivuga ko, iyo uwarungikiwe umutahe wo kurengutswa atari ku rugo rwiwe, umutahe ushikirizwa umuntu wo mu muryango wiwe, incuti, umukozi, umukuru w'umutumba, wa karitiye canke umuntu aba muri urwo rugo.

Umumenyeshamanza arandika ku mutahe ico uwuhawe uwo mutahe asana n'uwuwurungikiwe.

Ingingo y'188 ivuga ko umutahe ushobora kandi kumenyeshwa urungitswe uzinze ariko mw'ibahasha ritugaye, canke ugacishwa mw'iposita, nayo igatanga urwandiko rwemeza ko yawubonye canke ukarungikanwa intumwa isanzwe hamwe n'urwandiko rushirwako igenekerezo n'umukono wa nyene guhamagarwa canke n'umwe mu bantu bavurwa mu ngingo ya 187, bikenewe hakandikwako ubucuti buri hagati y'uwutoye umutahe na nyene kuwurungikirwa canke ico bahuriyeko.

No mu gihe urwandiko rwe-meza ko umutahe wata-nzwe utashizwe ko umukono n'uwarushikirijwe, canke iyo urwo rwandiko ruterekana ko rwashikirijwe umwe mu bantu barekuriwe kurwakira canke iyo bakeka ko uwarwakiriye atari afise ububasha bwo kurwakira, umutahe ugumana agaciro, iyo umucamanza, afatiye ku vyo uwashikirije umutahe yavuze agatako akabitangira indahiro canke ibindi vyemezo, abona ko uyo mutahe watanzwe nk'uko amategeko abitegekanya.

Igenekerezo umutahe watangiweko rishobora kumenyekana biciye muri ubwo buryo nyene.

Ingingo ya 189 ivuga ko iyo uwarengukishijwe atagira aho aba canke urugo ruzwi mu Burundi, ariko akaba afise aho aba handi hazwi, umutahe uca umanikwa ku bwinjiriro bukuru bwa sentare itegerezwa guca urwo rubanza, ikopi yawo igaca irungikirwa ubwo nyene uwarengukishijwe, ukarungikwa buno nyene aho aba, icishijwe mw'iposita, nayo ikemeza ko iyironse canke ikarungikirwa umukozi wa Reta ari mu Burundi, mu vyo ajejwe harimwo imigenderanire n'ibindi bihugu,

Ibikur. urup. 11

# Ingene imanza z'ivyaha zitohozwa n'ingene ziburanishwa imbere ya Sentare

(Bitangurira ku rup.10)

icishijwe mw'iposita, nayo ikemeza mu rwandiko ko yayishikirijwe.

Iyi ngigno ibandanya ivuga ko iyo uwarengukishijwe atagira aho aba hazwi canke urugo ruzwi, umutahe uca umanikwa ku bwinjiriro bukuru bwa sentare itegerezwa guca urwo rubanza, uwo mutahe uraheza ugatangazwa mu kinyamakuru ca Reta no mu kindi kinyamakuru cagenywe n'umucamanza.

Nkuko ingingo ya 190 ibivuga, ikiringo co kurenguka ku wagirizwa icaha no ku wuronderwako indishi, ni imisi umunani yuzuye kuva aho baronkeye umutahe gushika ku musi wo kurenguka congeweko umusi umwe ku rugendo rw'ibirometero ijana ku bantu baba mu Burundi.

Ingingo ya 191 ivuga ko ikiringo co kurenguka ku bantu batagira aho baba canke urugo mu Burundi ari ukwezi kumwe kuva ku munsi umutahe umanikwa canke kuva ku munsi utangajwe mu kinyamakuru ca Reta canke mu kindi kinyamakuru cagenywe n'umucamanza abifitiye ububasha.

Ingingo ya 192 iza yunganira iy'191 kuko ivugako, mu manza zihutirwa, umucamanza arashobora guhindura ikiringo c'iminsi umunani gitegekanijwe n'ingingo y'143 mu gihe igihano categekanijwe n'amategeko kitarenza imyaka itanu y'umunyororo canke iyo ari ugutanga ihadabu gusa, iyo ngingo n'imvo ziyishikira biramenyeshwa uwagirizwa icaha n'iyo bikenewe uwuronderwako indishi bakabironkana n'umutahe.

Ingingo y'193 ivuga ko uwo wese icaha cononeye hamwe n'ivyabona, barashobora, uko biba kwose, kurengukishwa uwo munsi nyene, kiretse hongeweko iminsi y'urugendo.

Nkuko ingingo y'194 ibivuga, mu gihe umutahe wamenyeshejwe biciye mw'iposita canke warungikanywe intumwa nkuko bitegekanijwe mu ngingo y'189, ikiringo gitangura guharurwa kuva umunsi posita canke intumwa bemeje ko abawurungikiwe bawuronse.

Mu gihe umutahe warungitswe hakurikijwe ingingo y'189, ikiringo gitangura guharurwa kuva umunsi umutahe umanikwa.

Ingingo y'195 ivugako, iyo igihano gitegekanijwe n'amategeko kitarenza imyaka 5 y'umunyororo canke ari ico gutanga ihadabu gusa, umutahe wo kurenguka urashobora gusubirirwa no kubibarira vyonyene uwo vyerekeye, akabibarirwa n'umushikirizamanza canke umwanditsi w'imanza wa sentare izoca urubanza, ko ategerezwa kurenguka muri sentare kanaka, igihe kinaka, iyo vyerekeye kurengukisha uwakorewe icaha, ivyabona, uwukurikiranwako icaha canke uwuronderwako indishi.

Uwuriko arakurikiranwako icaha aramenyeshwa kandi kamere, igenekerezo naho ivyaha akurikiranwako vyakorewe. Nyene kubimenyesha aragira icegeranyo c'ivyo yamenyesheje.

Ingingo y'196 ivuga ko iyo uwurungikirwa umutahe ari ishirahamwe, ushikirizwa uwuriserukira imbere y'amategeko, intumwa yaryo yemewe canke uwundi muntu wese abirekuriwe.

Ingingo y'197 ivuga ko, mu gihe umushikirizamanza amenyesheje uwagirizwa icaha ko yorenguka nawe agaca yitaba ku gushaka kwiwe, nta mutahe uba ugikenewe.

Mu kubimenyesha, haratomorwa icaha uwarungikiwe umutahe yagirizwa kandi hakerekanwa ingingo y'igitabu c'amategeko mpanavyaha yarenzwe.

Mu gihe uwagirizwa icaha asanzwe apfunzwe ivy'agateganyo, urubanza rutegerezwa kwerekana ko yemeye kuburana atarinze kumurungikira umutahe.

Ingingo y'198 ivuga ko umuntu ahawe ikopi y'umutahe aca ayishirako umukono. Iyo yanse canke akaba atazi kwandika, umumenyeshamanza aravyandika ku mutahe.

Ingingo y'199 ivuga ko imitahe itegurwa mu nzandiko z'imvaho zingana n'igitigiri c'abagirizwa icaha.

Nkuko ingingo y'200 ibivuga, umumenyeshamanza ntashobora kwandika umutahe umwerekeye canke werekeye umukenyezi wiwe, incuti canke abafitaniye ubucuti bukomoka k'uguhana abageni n'uwo bubakanye, abo incuti ziwe n'izo abafitaniye ubucuti bukomoka k'uguhana a-bageni gushika ku rugero rwa kane.

Ingingo y'201 nayo ivuga ko, umutahe udashobora kugirwa impfagusa kiretse iyo bigaragaye ko ingene wanditswe bitubahiriza uburenganzira bw'uwiregura canke bibangamira izindi nyungu z'umuntu werekeye.

Mu gusozera, tubamenyeshe ko mu gihe umutahe uhonyanga agateka canke inyungu z'uwo werekeye, uca uba impfagusa.

Muri ico gihe umumenyeshamanza yakoze amakosa ashobora guhanishwa igihano c'ukuriha amafaranga amaze gukoreshwa muri urwo rubanza, n'uguha indishi uwarenganijwe.

Sentare ishinze ko umutahe ubaye impfagusa, niyo ifise ububasha bwo gutanga ivyo bihano.

Ingingo y'202 ivuga ko umumenyeshamanza wese, umukozi wese afasha mu butungane yatanze n'impaka umutahe urimwo amakosa ahanishwa ibihano bitegekanijwe n'ingingo ziri mu gitabu c'amategeko mpanavyaha zerekeye ukwigana inzandiko z'inzego z'igihugu canke inzego zashizweho ngo zunganire igihugu.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Ibisabwa mu kwandikisha n'ugupimisha amatongo

*Mu nomero iheruka, twarabamenyesheje bimwe mu bisabwa mu kwandikisha n'ugupimisha amatongo. Tubandanya tubashikiriza ibindi nkenerwa u-mwenegihugu asabwa.*

**5. Uguha uwundi muntu ububasha bw'ukuganza itongo (Idosiye A)**

a) Biciye mu kugirisha canke mu gukota

• Ikete ry'ugusaba ko ukuganza itongo buhabwa uwariguze canke uwarigabiwe hamwe n'urwandiko rumudondora (uwaguze)

• Urupapuro ndangatongo rw'imvaho

• Amasezerano y'ubuguzi canke y'ukugabira yemejwe n'Umushingwanzandiko

• Urwandiko rwemeza ko uwubakanye n'uwugurisha yavyemeye (Umugore canke umugabo w'uwugurishije) canke urwandiko rutangwa n'abajejwe inzandiko ndangamuntu rwemeza ko atubatse ku vyerekeye abubatse

• Iyimuriro ry'urwandiko rwemeza amasezerano y'ukwabirana

• Ikopi y'ikarata karangamuntu y'uwuguze

b) Biciye kugusangira itongo, gusangira itongo ritagabuwe canke kurigabangana

• Amasezerano yemejwe n'Umushingwanzandi

• Urwandiko rwerekana ko inama y'umuryango yavyemeye, rwemejwe n'Umushingwanzandiko (mu gihe ari ugusangira itongo canke ukuritorana).

6. **Ukunyenyagura itongo**



*Abenegihugu bo muri Komine Nyabiraba ya Bujumbura bariko basigurirwa umugambi wo kwandikisha n'ugupimisha amatongo*

• Ikete ryo gusaba kunyenyagura itongo
• Urupapuro ndangatongo rw'imvaho

• Ishushanyo ry'ingene itongo ryanyenyaguwe

• Ikopi y'ikatara karangamuntu

**7. Amadosiye yerekeye amabanki**

a) Ukwandikisha ingwati ku bitimuka

- Amasezerano y'ukuronswa ingurane yemejwe n'umushingwanzandiko

- Urupapuro ndangatongo rw'imvaho

- Ikete ry'ugusaba kwandikisha ingwati ku kitimuka

- Icegeranyo c'itohoza ryagizwe n'abahinga

b) Ugukuraho amasezerano y'ingwati ku kitimuka n'ukwandika ko ikitimuka kitakigwatirijwe

- Urwandiko rwemeza ko atagiheranye ruta-ngwa n'ibanki ( mu gihe ari ivyiyongera ku masezerano y'ingurane biha ibanki uburenganzira bw'ukwandikisha ingwa-ti ku kitimuka

- Urupapuro ndangatongo rw'imvaho
Menya neza: Mu gihe hari uwumuserukira, uwatumwe ategerezwa kwerekana urwandiko rw'uwo aserukira rumuha ububasha bw'ukumuserukira rwemejwe n'Umushingwanzandiko

**8. Urwandiko rwerekana ko umuntu adafise canke afise itongo rimwe.**

- Ikete ry'ukubisaba
- Ikopi y'ikarata karangamuntu
- Ikopi y'ikarata ndanagatongo (igihe hasabwe urwandiko rwemeza ko umuntu afise itongo rimwe)

**9. Ugusaba ko urupapuro ndangamatongo rwo ku rwego rw'ikomine ruhindurwa mu rupapuro ndangamatongo rwo ku rwego rw'igihugu**

- Ikete ry'ukubisaba ryashizweko uùmukono na musitanteri
- Urupapuro ndangatongo rw'imvaho rwo ku rwego rwa komine
- Ikopi isa n'icegeranyo c'imvaho cemeza ko umugwi ujejwe gutohoza amatongo wishikiye kw'itongo.
- Ikopi y'ikarata karangamuntu

**10. Ugusaba igurishwa ry'icamunara ry'ikitimuka**

- Ukumenyesha urubanza
- Ikopi y'imvaho y'ingingo ya sentare
- Urupapuro ndangatongo rw'imvaho.

***II. Aho ibisata vyacu bikorera***

*1. Ibiro bijejwe ivyerekeye amatongo vy'I Bujumbura*

*Q. INSS, B.P. 38 Buju-mbura, tél. 22 22 51 05 / 69 197 764*

*Guichet Unique (EX. Building des Finances): Tél. 79 484 161*

*2. Ibiro bijejwe ivyerekeye amatongovy'I Gitega:*
*Tél. 22 40 23 08 / 69 592 121*

*3. Ibiro bijejwe ivyerekeye amatongo vy'I Ngozi:*

*Tél. 22 30 23 85 / 69 291 355*

***4. Ibiro vyo mu ntara:***

*• Intara ya CIBITOKE:*
*Tél. 79 786644*

*• Intara ya BUBANZA:*
*Tél. 79 697353*

*• Intara ya KAYANZA:*
*Tél. 79 068763*

*• Intara ya MUYINGA:*
*Tél. 62 070092*

*• Intara ya MWARO: T*
*él. 61 865090*

*• Intara ya BURURI:*
*Tél. 79 926 043*

*• Intara ya RUMONGE:*
*Tél. 79 310575*

*• Intara ya MAKAMBA:*
*Tél. 79 901 238*

*• Intara ya CANKUZO:*
*Tél. 79 948 887*

*• Intara ya RUTANA:*
*Tél. 79326 265*

***Patiri Noeli Ntirandekura***